# Mwene Adamu ntibirashika aho yuzuza icombo kibi kuri we coza gisumba inda, birakwiye kuri mwene Adamu rero kuba yokwivuna inzara mu gufungura duke tumubeshaho, vyoba ngombwa ko arenzako mu guhaga, akagenera ica gatatu c'umushishito wiwe imfungurwa, ikindi ca gatatu akakigenera ibinyobwa, ica gatatu gisigaye akagisigira uguhema

Mu vyakiriwe na Al-Miqdaamu mwene Ma'dii Kariba (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Narumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: "Mwene Adamu ntibirashika aho yuzuza icombo kibi kuri we coza gisumba inda, birakwiye kuri mwene Adamu rero kuba yokwivuna inzara mu gufungura duke tumubeshaho, vyoba ngombwa ko arenzako mu guhaga, akagenera ica gatatu c'umushishito wiwe imfungurwa, ikindi ca gatatu akakigenera ibinyobwa, ica gatatu gisigaye akagisigira uguhema"".

[صحيح] [رواه الإمام أحمد والترمذي والنسائي وابن ماجه]

Umuvugishwamana w'umugwaneza (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aduhanura kwubahiriza umwe mu mishinge y'ubuvuzi, na wo ukaba ari umuntu gukingira amagara yiwe mu kugabanya imfungurwa, ku rugero rwo gufungura ibimuvuna inzara, agaheza agafungura ibimufasha kurangura ibikorwa nkenerwa, n'uko ikintu kibi cane amuntu yuzuza ari inda yiwe, uravye ingaruka mbi z'uguhaga zigizwe n'indwara zishobora kwiyadukiza zigafata umuntu ubwo nyene canke muri kazoza, zaba izifatira muri we canke izigaragarira ku mubiri. Mu nyuma, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarahanuye ko bibaye ngombwa ko umuntu ahaga, yopfuma afungura ibingana n'ica gatatu c'umushishito wiwe, ikindi ca gatatu akakigenera ibinyobwa, ica gatatu gisigaye na co akagisigira uguhema; kugira ntatumwatumwe ngo abure ingene ahema, maze ugutumbirwa gutume anebwa ntashobore gukora ivyo yategetswe n'Imana Allah, mu vyo yubahiriza mu bijanye n'idini ryiwe kibure ibijanye n'ivy'isi.

النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY

لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC
E-Da'wah Committee